Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 67
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Email:journalndongozi@gmail.com
Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi
Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza »
Jn 10, 11a

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. Fax : (257) 228907 N°757 15 Kigarama 2021

## Ijambo rya Nyenubweranda Papa Fransisko ryerekeye umunsi mpuzamakungu ugira 5 wahariwe aboro *(Ibikurikira)*

8. « **Aboro bo muzobahorana** » (Mc 14,7). Ubwo ni ubutumire bwo kugira ngo ntitwirengagize akaryo tuba duhawe ko gukora iciza.

Dutereje amaso inyuma, tuca twibuka iri bwirizwa rya kera ry'Umukama ngo: « Nihaba umukene iwawe, uwo muri benewanyu, [...] ntuzokomantaze umutima wawe, kandi ntuzopfumbate ikiganza cawe imbere ya mwenewanyu w'umukene, ariko uramvurira ikiganza cawe cose, wongere umuhe ingurane ikwiye kugira ngo yikenure muvyo akenye. [...] utegerezwa kumuha, kandi umutima wawe ntuze ubabare niwamuha, kuko kubera ico ukoze, Umukama Imana yawe azoguhunda imigisha mu bikorwa vyawe vyose no mu migambi yawe.

Aboro ntibazokwigera babura mu gihugu, nico gituma ndagutegetse

Soma ku Rup. 3



Abakozi ba Ndongozi
Uwujejwe uruganda:
* A. Noël NTIRANDEKURA
Abamenyeshamakuru:
* A. Noël NTIRANDEKURA
* Mélance NDAYIKEZE
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA
Uwujejwe ubuhinga:
* Chanel HARINGANJI
Umunyamabanga:
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA
Umunyabigega:
* MSV Anatolie NIYIMPAYE
Uwujejwe imigenderanire:
* J. de Dieu NDIKUMANA

## Intumwa ya ONU iraba agateka ka zina muntu ntizohonyoza ikirenge mu Burundi



Ku munsi wa kane igenekerezo rya 9 Kigarama 2021, i Bujumbura, Umushikiranganji w'imigenderanire y'Uburundi n'amakungu Albert Shingiro yarahakaniye abaserukira ibihugu vyabo mu Burundi, ko Uburundi butazokwakira intumwa idasanzwe iraba agateka ka zina muntu.

Ivyo yabishikirije mu nama yamuhuje n'abaserukira ibihugu vyabo mu burundi,

Soma ku Rup. 4

## Ibirimwo

- «Iteka ryisunga kirazira»........................................7
- Ishure Kaminuza yitiriwe Equateur, ryaraye risozereye igice ca mbere c'umwaka w'ivyigwa........................................9
- Wa mugabo, ni ukunde umugore wawe nk'uko wikunda wewe nyene........................................9
- Uburenganzira bwo kudakoreshwa ibikorwa bibangamira ubuzima bw'abana........................................10

# Idominika ya kane, Ubushikiro, Umwaka C

## Imburi

**Igisomwa ca mbere : Mishe : 5, 1-4**

Mu gisomwa ca mbere, Umuhanuzi Mishe atubwira ingene Imana yabemereye abantu Umucunguzi igihe bari bamaze gucumura, irabumvisha n'ingene bazomusanganira, igirako irabagenekereza n'aho azovukira.

**Igisomwa ca kabiri : Abaheburayo:10,5-10**

Imana ni Mudatana mu ndagano : yararanguye Ijambo yemeye, irarungika Umucunguzi ari we Mwana wayo bwite. Nawe aza arangura ishaka rya Se ati : « Ndarengutse Mana yanje ngo nkore ico ushaka .»

**Inkuru Nziza : Luka : 1, 39-45**

Mu Nkuru nziza, Luka mweranda atubwira ko Bikira Mariya yagiye kuramutsa Elizabeti, hanyuma Elizabeti agakeza Mariya avuga ati: "Eka urahiriwe wewe wemeye iryo watumwe n'Umukamako n'Umukama."

## Ibisomwa

### Igisomwa ca mbere *: Mishe : 5, 1-4*

Ivyo dusoma mu gitabu c'Umuhanuzi Mishe:

(*Umukiza azoza ava i Betlehemu*)

Ng'iri iriyazwe n'Umukama:
Ewe Betlehemu Efrata, wewe cubwa mu miryango yose ya Yuda, ni wewe uzomvyarira uwuzogaba Israeli ; amamuko yiwe si aya vuba, ni ay'imyaka n'imyaka. Ni co gituma Umakama azobakurako ijisho, gushika umunsi uwagenewe kwibaruka azokwibaruka ; niho rero abandi bavandimwe basigaye bazogaruka mu muryango wa bene Israeli. Azohaguruka aragize ubusho bwiwe ububasha bw'Umukama n'ubukuru bw'izina ry'Imana yiwe. Bazokwicara batsimbatare, kuko inganji yiwe azoyikwiza hose gushika ku mbibe z'isi. Kandi ni we nyene azoba « Amahoro».

### Igisomwa ca kabiri *:Abaheburayo:10,5-10*

Ivyo dusoma mw'ikete ryandikiwe Abaheburayo:

(*Ndarengutse ngo nkore ivyo ushaka*)

Ncuti zanje :
Mu gushika kw'isi, Kristu yavuze ati: " Inkuka n'amashikanwa ntiwabishatse, ariko wanteguriye umubiri. Imbagwa n'incungu zo kwishura ibicumuro ntiwazishimye; niho navuga nti: Ndarengutse Mana yanje ngo nkore ico ushaka, kuko ivyanditswe mu gitabu birora kuri jewe."

Kristu yatanguriye kuri iri jambo: 'Inkuka n'amashikanwa n'imbagwa n'incungu zo kwishura ibicumuro ntiwabishatse kandi ntiwabishimye, kandi babihereza nkuko vyategetswe.' Yaciye asubizayo ati: ' Ndarengutse ngo nkore ico ushaka.' Kukaba nkako, Kristu yakuye ivya kera ngo ashinge ibishasha. Ukwo gushaka kw'Imana nikwo kwatumye dutagatifuzwa n'umubiri wa Yezu kristu watanzwe rimwe rizima.

### Inkuru nziza: *Luka : 1, 39-45*

**Alleluya, Alleluya.**

- Jewe nd'Umusavyi w'Umukama; nibimbere uko ubivuze!

**Alleluya.**

Ivyo dusoma mu Nkuru Nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Luka :

(*Mbega iryo teka ry'uko Nyina w'Umukama wanje aza kundamutsa ndaritewe n'iki?*)

Umunsi umwe, Mariya arahaguruse agenda arihuta mu misozi, aja mu gisagara ca Yuda. Ashitse mu nzu kwa Zakariya, aramutsa Elizabeti. Elizabeti ngo yumve indamutso ya Mariya, umwana arakakaza mu mbanyi.

Elizabeti yuzuwe na Mutima Mweranda, aca ashira ijwi hejuru avua ati: "Mu bavyeyi warahezagiwe, kandi n'umwana wawe arahezagiye. Mbega iryo teka ry'uko nyina w'Umukama wanje aza kundamutsa nadaritewe n'iki? Mbaye ncumva amajambo y'indamukanyo yawe, umwana mfise arakakaza mu mbanyi, akanyamuneza kariko karamusya. Eka, urahiriwe wewe wemeye kw'iryo watumweko n'Umukama rizotaha."

***SOMA NDONGOZI***
***ANDIKIRA NDONGOZI***
***KUNDISHA NDONGOZI***
***TERERA NDONGOZI***

# Tuzirikane Ijambo ry'Imana, Idominika ya 4 y'Ubushikiro

Bakunzi b'Imana

Tugize iminsi mu mwiteguro udasanzwe, twitegurira igihe gihimbaye ca Noheli. Kuri twebwe abakristu ni umunsi mukuru w'akanyamuneza kenshi. Dusabe Ulmukama wenyene abandanye atwuzuza Mutima wiwe kugira tuze duhimbaze uyo munsi n'umutima wacu wose, mu kwitanga twitangira benewacu.

Ijambo ry'Imana ryo kuri iyo dominika ya kane, ritwigisha kwitegurira kwakirana akanyamuneza uwimirije kuza. Nitwitegure kumwakira kandfi twakire n'inganji yiwe.

Iri jambo ritwereka kandi rikatwinjiza mu kinyegezwa c'ivuka rya Yezu Umkiza w'abantu. Uwo Mwana azovukira i Betlehemu, agasagara katazwi cane.

"***Mbega iryo teka ry'uko nyina w'Umukama wanje aza kundamutsa nadaritewe n'iki***?"

Umuhanuzi Mishe, mu gisoma ca mbere, atuburira ko uwo mwana azokwibarukwa n' "Uwagenewe kwibaruka". Uwuonawe si uwundi ni Mariya nk'uko Luka mweranda abidushikirije. Niwe twumvise yafashe urugendo rutari ruto, akagenda agana urugo rwa Zakariya, incuti yiwe.

Uwari mu mbanyi ya Bikira Mariya, naho atari bwavuke, yateye akanyamuneza kenshi urwo rugo. Hari akantu niyavuka!!!

"Mbega iryo teka ry'uko nyina w'Umukama wanje aza kundamutsa nadaritewe n'iki?"

Bakunzi b'Imana, Uwugiye kutuvukira si umuwanzwe. Naho ataravuka, Elizabeti we yuzuye Mutima Mweranda, yamaze kwemeza ko ari Umukama.

N'umuhanuzi Mishe yari yabibuye, aho yagira ati: « amamuko yiwe si aya vuba, ni ay'imyaka n'imyaka. Ni co gituma Umakama azobakurako ijisho, gushika umunsi uwagenewe kwibaruka azokwibaruka ».

N'ukumva ko Mariya amwibungenze, n'uko nawe « yemeye kw'iryo yatumweko n'Umukama rizotaha.". Nivyo azovukira ahantu hakene, ariko ni Uwamyeho.

Umwanditsi w'Ikete ry'abaheburayo mu gisomwa ca kabiri, aratumenyesha ikizomuranga mu buzimwa bwiwe: "Ni ugukora ico Se ashaka"

Aje kugira ngo akore ico Mana Se ashaka. Ico na co ni ugutanga umubiri wiwe kugira ngo abantu twese turonke ubuzima, tube beranda.

Turahamagariwe rero kugira rwacu iri jambo ry'Imana kugira ridufashe gusangira akanamuneza ka Noeli na benewacu nka kurya Bikira Mariya yirukanze kwa Elizabeti kumusangiza ijambo I-mana yari yamushikirije iciye ku mumarayika Gaburieli.

Icamutumye agenda ariruka ni Urukundo. Kanatsinda yari yibungenze Rukundo. Yari yamwakiriye igihe abwira Umumarayika ati: «Jewe ndi umusavyi w'Umukama nibimbere uko ubivuze.» None ng'uyo amushiriye Elizabeti.

Ko natwe tudahengeshanya kumwakira mu masakramentu, cane cane Ukaristiya, ntitumwigumizemwo. Nitumukundire, tumugamburukire, twemere atugenze uko ashaka.

Tumuhebere ugushaka kwacu, tumubere amaguru kugira wenyene agendagende mu bisagara vyacu, agende kuraba ba Ekizabeti b'iki gihe bakeneye ubufasha ( Twibuke neza ko Elizabeti yari ageze mu zabukuru kandi yibungenze. Yari akeneye uwumwaramira.).

Nitumuhebere amaboko yacu kugira aje kuramukanya, kuyaga n'abamwiteze, abuzuze urweze n'amahoro kuko niwe Mwami w'amahoro. «Bazokwicara batsimbatare, kuko inganji yiwe azoyikwiza hose gushika ku mbibe z'isi. Kandi ni we nyene azoba « Amahoro».

Nitumubere ubuzima bwacu bwose kugira abwiganzire, niho tutazokora ico twishakiye.

Gutyo, abatubona, bavuge nka Elizabeti bati: «Mbega iryo teka ry'uko nyina w'Umukama wanje aza kundamutsa nadaritewe n'iki?»

None rero mu guhimbaza Noeli, nitwibuke ko natwe duhamagariwe kworohera Imana mu kurangura ishaka ryayo.

Ukwigira umuntu kwa Yezu, ukumwakira mu buzima bwacu cane mu ngo zacu, kubwirizwa kuduhindura mu buzima.

Noeli rero ni itwigishe kugamburukira Imana. Noeli nitwigishe kwakirana nk'abavukanyi. Na cane cane mu gihe tugezemwo, harakenewe abakristu bamaze kwakira Kristu, bemera kwitanga kugira baramire benewabo, batera akanyamuneza benewabo.

Mu gihe abantu dushaka kwerekana ko dukomeye canke ko duhambaye, ivuka rya Yezu niritwigishe guca bugufi, dutegere ko ataco twokwishikanako tudafashijwe n'Umukama.

Iyi Noeli y'uyu mwakanidufe kwugururura umutima, itwuzuze urukundo, tureke kwigungana ivyacu, itwigishe gutanga, kwitanga no kwegera abandi.

Ese uwo mwiteguro turiko turagira wodufasha kwinjira neza muri ako kanyamuneza k'ivuka rya Yezu.

Ndabifurije ukwitegura kwiza na NOELI NZIZA kuri mwese.

***Amen!!!***

*Patiri Noeli Ntirandekura*

# Intumwa ya ONU iraba agateka ka zina muntu ntizohonyoza ikirenge mu Burundi

aho bari babmubajije uwuserukira uburaya na bagenzwi we bamubajije aho ukunagura imigenderanire n'amakungu mbere n'akarere igeze, bagirako banamubaza uko agateka ka zina muntu kifashe n'uko Uburundi bwiteguriye gukorana n'intumwa idasanzwe ya ONU ijejwe kuraba agateka ka zina muntu.

Ati : « Uburundi bwarasabwe kenshi n'abahinga bigenga canke imigwi ijejwe agateka ka zina muntu ya ONU n'ayandi Mashirahamwe Mpuzamakungu kugira ngo bemererwe kuhakorera no gukora amatohoza y'igenga, ariko ntibigeze bemererwa, nta numwe mbere arahonyoza ikirenge ng'aha mu Burundi kandi baba bashizweho n'ibihugu duserukira. Nico nashaka kubaza kumbure kuri uyu aheruka gushirwaho na ONU ko yoba azemererwa gukorana neza n'Uburundi agashika ngaha, mugire ico mubivuzeko. »

Umushikiranganji w'imigenderanire y'Uburundi n'amakungu Albert Shingiro yaciye atangaza neza atarya umunwa ko iyo ntumwa idahawe ikaze mu Burundi, ati :

« Murazi kandi ntimwirengagize uko uyo muhinga yigenga yatowe, bituma n'urugendo rwiwe atarwo tuzokwemera ko agira ngaha mu Burundi kuko yashizweho ku nguvu kandi twebwe dufashijwe n'ibindi bihugu vya Afrika twari



*Abo ni abaserukira ibihugu vyabo mu Burundi bari mu kiganiro n'Umushikiranganji w'imigenderanire y'Uburundi n'amakungu*

twamwiyamirije. N'ukuri ntitumushaka na gato. Ariko tuguma tuvugana na ONU canke n'abandi bose bavyipfuza ku vyerekeye agateka ka zina muntu, biciye mbere no mu mugwi w'igihugu cacu werekeye agateka ka zina muntu, kandi murabona ko n'Umukuru w'igihugu cacu Evariste Ndayishimiye yashize imbere uguteza imbere ico gisata. Imigenderanire izoca ahandi atari kuri uyo muhinga. »

Umushikiranganji w'imigenderanire y'Uburundi n'amakungu Albert Shingiro asigura ko ubu agateka ka zina muntu kifashe neza kandi ko iyi ntumwa ata kamaro ifitiye Uburundi.

Mu kwezi kw'icumi guheze niho ishirahamwe Mpuzamakungu ONU ryahagarika Umugwi w'abahinga batatu bari bamaze imyaka itanu bakora amatohoza ku Burundi.

Uwo mugwi wari urongowe n'umunyasenegari DOUDOU Diene, naho wamaze iyo myaka yose nta n'umwe mu bawugize yigeze yemererwa guhonyoza ikirenge mu Burundi.

Mbere bamwe muri bo reta y'Uburundi yatangaje ko ari '«persona non grata», ni ukuvuga abantu badashobora guhabwa ikaze mu Burundi.

Ariko bagumye bashikiriza ivyegeranyo buri mwaka. Icanyuma bagitanze mu kwezi kw'icenda, bavuga ko hari ibimaze guhinduka mu nzira nziza kuva umukuru w'igihugu mushasha, Evariste Ndayishimiye ashitse ku butegetsi mu 2020 ariko ko ‘'inzira ikiri ndende».

Uwo mugwi wavuze ko hari amabi akibandanya gukorwa arimwo ubwicanyi, ukuburwa irengero n'ukutemerera abantu gushikiriza ivyiyumviro mu bwisanzure na cane cane abatavuga rumwe na reta.

Havugwa kandi ukudahana abagirizwa gukora ayo mabi.

Ivyo vyegeranyo reta y'Uburundi yagumye ivyiyamiriza ivuga ko ari ‘'ibinyoma» kandi bifise ‘'intumbero ya poritike». Ibiro vy'urwego rwa ONU rushinzwe agateka ka zina muntu mu Burundi navyo reta yaravyugaje burundu mu 2019. Ibiro vy'intumwa idasanzwe y'umunyamabanga mukuru wa ONU navyo vyugaye mu kwezi kwa gatanu uyu mwaka.

Ariko, umushikitranganji Albert Shingiro ya-bwiye abaserukira ibihugu vyabo mu Burundi ko reta yiwe iguma ‘'yuguruye imiryango yo gufashanya no kuganira n'icicaro gikuru ca Geneve hamwe n'ishami ryaco riri i Younde.»

Abagize akanama ka ONU kajejwe umutekano n'akajejwe agateka ka zina muntu baciye basubiriza uyo mugwi n'Umuhinga yigenga yi-swe Raporteur spécial sur le Burundi. Iyo Ntumwa ya ONU izoba ijejwe gutanga raporo y'ingene agateka ka zina muntu kifashe mu Burundi.

Nico gituma Reta y'Uburundi ibicishije ku mushikiranganji w'Imigenderanire Albert shingiro yatangaje ko iyo ntumwa idahawe ikaze mu Burundi.

Tubibutse ko Imigenderanire yatosekaye kuva muri 2015, biturutse ku gushaka kwitoza ikiringo kigira gatatu bavuga ko kitarekuwe n'amategeko, kw'Umukuru w'igihugu w'ico gihe Nyakwigendera Petero Nkurunziza .

***Patiri Noeli Ntirandekura***

# Ijambo ry'Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi ryerekeye gukomeza ubutumwa bw'ingo n'imiryango



**Icokorwa ngo dukomeze ingo rukristu**

11. Imbere y'uko dutomora ibikorwa tugiye gushira imbere kuva muri uyu mwaka w'ingo n'imiryango, dukundire tubanze tubibutse bimwe bimwe mu vyo twabonye bibangamiye ingo n'imiryango.

* Hari umwiteguro w'ukubaka rukristu udashemeye,
* Ukudohoka kw'ibanga ry'ukurera,

* Ukutitanaho hagati y'abubakanye,

* Itituka ry'urukundo hagati yabo,

* Uguharika,

* Ugucikira n'ugucikiza, ihindagurika n'itituka ry'imico,

* Akaborerwe n'ukunywa ibiyayuramutwe, * ubuhumbu,

* Ubunebwe n'ukwiyerereza,

* Ubukunzi bw'inda n'ugusesagura itunga ry'umuryango,

* Ukutitaho ikiyago mu rugo,

* Ukwigenza nabi kw'abagabo bamwe bamwe bitwaje igikenye canke ukw'abagore bamwe bamwe bitwaje ivyiyumviro vyo kwiganzura agakandamizo k'abagabo,
* Ukudasonera agateka k'abakenyezi be n'uguhakana Imana kwenyuje guterwa n'umwina w'ivy'isi canke uguhungabanywa n'abambuzi be n'abangushi bafatira abantu mu bihe bigoye, iyo bageramiwe n'ukwihebura

*(raba Ukwubaka rukristu : indinganizo n'amategeko ngenderwako bigenga ingo n'imiryango mu madiyoseze gatolika yo mu Burundi, nn.16-26) ».*

12. Hambavu y'ivyo, twasanze hari n'amakuba abangamiye ingo n'imiryango. Ayo nayo ni:

* nk'ingaruka mbi z'indwano,
* amacakubiri y'ubwoko bwose,

* indwara z'ivyaduka,

* ubukene,

* ugutwarana uburozi n'ukwemera ibintazi,

* inyigisho zijuragiza abubakanye zishingiye ku vyiyumviro bihinyitse vy'abashaka kwiganzira isi, bizanana n'igwirirana ry'amadini be n'amashirahamwe amwe amwe yiyambitse agahuzu k'ubugiraneza ariko mu vy'ukuri asambura urwaruka be n'ingo n'imiryango, kandi amaleta amwe amwe agaca abigira amategeko

(raba Ukwubaka rukristu : indinganizo n'amategeko ngenderwako bigenga ingo n'imiryango mu madiyoseze gatolika yo mu Burundi, nn 27-33).

*None twokora iki ngo turamire ingo n'imiryango kugirango bigendere ubuntu n'ubukristu?*

1°) Kwigisha no kunogereza rya ketenyigisho Akanyamuneza k'urukundo.

Dusavye abasaseredoti bose n'ababunganira mu butumwa kwigisha umurava no kunoganza inyigisho Akanyamuneza k'Urukundo ngo ishikire bose.

2°) Gushira mu ngiro ibiri mu gatabu Ukwubaka rukristu : indinganizo n'amategeko ngenderwako bigenga ingo n'imiryango mu madiyoseze gatolika yo mu Burundi.

Kuva ubu, twebwe abungere banyu tugiye guhagurukira igikorwa co kubashikiriza ingingo nyobozi ziri muri ako gatabo.

3°) Kwigisha urwaruka kuva rukiri ruto gushika rushike mu bigero mu muhamagaro n'ibanga bimirije ryo kwubaka izabo kugira ntihagire abasubira kwisuka mu vyo batazi canke batiteguriye neza

*(raba Akanyamuneza k'urukundo, nn. 259-290).*

4.) Guherekeza ingo ziri mu ngorane zitandukanye. Dusavye ababifisemwo ijambo bose kwitwararika gufata mu mugongo, gutahura, kwakira no guherekeza abubatse bafise amagara make (Akanyamuneza k'urukundo, nn. 291-312) canke bari mu ngorane zitandukanye zibabuza kuzigama neza iryo banga

5.) Guhimiriza gukoresha uburyo kama bwo kurondoka neza. Turasubiriye gutera akamo ingo zose zikirondoka gukomeza kwakira inyigisho n'imyimenyerezo

Ibik. ku rup. 12

**Muradutunga**

**Mu nomero 755 iheruka, ku rupapuro rwa 1, twarihenze. Aho kwandika Diyosez Nkuru ya Bujumbura, Twanditse Diyoseze Bujumbura. Ushobora kuyitiranya na Diyoseze ya Anglikani**

# Ijambo rya Nyenubweranda Papa Fransisko ryerekeye umunsi mpuzamakungu ugira 5 wahariwe aboro*(Ibikurikira)*

mvuga nti : "utegerezwa kuramvurira ikiganza cawe mwenewanyu, umworo wawe n'umukene wawe bari mu gihugu cawe"» (Amategeko 15, 7-8.10-11).

Kuri urwo rugero nyene, Umutumwa Paulo ahanura abakristu bo mu mibano yashinze ko bofasha aboro b'umubano wa mbere w'i Yeruzaremu «ntibatangane amarira canke agahato, kuko Imana ikunda uwutangana akamwemwe » (2 Co 9, 7).

Ni muri iyo ntumbero twokwibuka amajambo ya Yohani Krisostome mweranda aho agira ti:
« Uwuri n'umutima mwiza ntiyokwirigwa arasaba gusubirizwa mu ndumane kuvyo yakoze, ariko vyonyene, yofasha kugabanya ubukene no kuronka ivya nkenerwa.

Umworo nta kindi afise kimurwanira atari ubwo bukene bwiwe no kuronswa ivyankenerwa abuze. Ntihagire ikindi umusaba. N'umuntu wa mbere mubi kw'isi, abuze ico afungura, arakenera kubohorwa mu kuronswa icomuhembura. […]

Umuntu w'umutima w'impuhwe ni ikivuko kuri abo hari ico baba bakeneye; ikivuko kirakira kikongera kigakiza impanuka ku bari mu gusoma nturi ; naho boba inkozi z'ibibi, abantu beza canke baba bageramiwe, ikivuko kirabakingira ico kiza. Nawe rero, niwabona umuntu agira




asome nturi mu bukene, ntumucire urubanza, ntumusabe ngo akubwire uko vyamugendeye, ariko mukure muri ayo magorwa» (Ijambo ryerekeye umworo Lazaro II, 5).

9. Birakenewe ko twese twongereza ishaka ngo twiyumvemwo ivyo aboro bakeneye, bisanzwe bihindagurika ku musi ku musi nk'uko nyene ivy'ukubaho biza birahindagurika.

Muri iki gihe, mu bihugu vyinshi bitunze, ntibakigavye ngo bahangane n'ubukene nko hambere. Ukwiberaho neza vyarabaye akamenyero bituma bigorana kwemera utwigoro no kwiyima bimwe bimwe. Bama bagavye kugira ngo ntibabure ivyo baronse batabiriye akuya.

Abantu baca bagwa mw'ishari, ishavu rikabajingita, bakarwanira ivyo bakeneye, ibihava bigatera ubwoba n'amagorwa, mbere rimwe na rimwe hakajamwo n'igikenye.

Ico sico twokwubakirako kazoza, haba namba ; ariko nubwo n'ubundi bukene nyene tutohisha amaso.

Dutegerezwa kwugurura amaso ngo tumenye ibimenyetso vy'ibihe bimenyesha ubundi buryo bwo kumenyesha Inkuru nziza mu bihe vya none. Gufasha ikibiriraho kugira ngo turamire abakene ntivyotubuza kwama tugavye kugira ngo tubone ibimenyetso bishasha urukundo rukristu rwubakirako, kugira ngo kandi bibe inyishu kuri ubwo buryo bushasha ubukene bwibonekezamwo mu bihe abantu b'ubu babayemwo.

Ndizeye ko umusi mpuzamakungu wahariwe aboro, duhimbaje ubugira gatanu, ugiye gutsimbatara mu mutima w'umuryango w'Ekleziya, bamwe bose iyo baherereye, ukazokabura intumbero yo kumenyesha Inkuru Nziza i-tuma dusanga cane cane aboro iyo baherereye.

Ntiturindire ko baza kudodora ku nzugi iwacu, birihuta ko tubasanga iyo bari, mu bitaro, nahandi hose bavurira, mu mabarabara no mu bigunda iyo binyegeje rimwe na rimwe, mu bigo bishinzwe kubakira, n'ahandi.

Birakenewe ko dutegera iryo bagona, ico bipfuza n'ivyiyumviro bafise ku mutima.Tugire ayacu aya majambo ya Patiri Primo Mazzolari : « Ndabasavye ntimumbaze ko hariho abakene, abo aribo n'uko bangana, kuko ndatinya ko bene ivyo bibazo biba ari ibiriko biradusamaza canke icitwazo kugira ngo twigire kure y'ico agatimampanuro n'umutima wacu nyene bitwerekezako. […]

Sindigera ndabaharura, kuko ntawobishobora ; aboro barabaramutsa ntibabaharura» (Adesso n. 7, 15 Ndamukiza 1949). Aboro bari hagati yacu.

Ese ingene twoba tugendeye Inkuru Nziza mu gihe twovugisha ukuri tuti : "na twebwe turakenye", kandi ubwo nibwo buryo bwonyene buzotuma tubamenya neza kandi tukabagira abacu n'ibikoresho vy'urukiza.

*Bigiriwe i Roma, kuwa 13 Ruheshi 2021, twibuka Antoni Mweranda w'i Padova*

**Papa Francisko**

N.B.: *Iri Jambo rya Papa Fransisko ryahinduwe mu kirundi n'Ibiro bikuru vya Karitasi Burundi (Caritas Burundi)*

# «Iteka ryisunga kirazira»

Kw'igenekerezo rya 27 Munyonyo 2021, umwanditsi w'umurundi, Zenon Manirakiza, yarashize ahabona igitabu *«Iteka ryisunga kirazira»*. Hari mu nyubakwa z'ishirahamwe FVS Amade Burundi i Bujumbura.

«Ururimi kavukire rurafise akamaro ntangere mu bikorwa bitandukanye na cane cane ibikorwa mvabwenge kuko ugukoresha ururimi mvamakungu bituma hari ubumenyi butakara».

Ivyo vyemezwa n'uwo mwanditsi w'umurundi Zénon Manirakiza. Mu gihe yariko ashikiriza icese igitabu ciwe yise «Iteka ryisunga kirazira» yagize ati: «Ikirundi nirwo ruririmi rwacu, niryo tunga ryacu...»

Intumbero y'uwo mwanditsi ngo ni kugira ngo iteka ry'igihugu ry'ubahirizwe, iterambere ntirihuhure ivyahuha, indero runtu isubizwe umutamana, iteka ndemanwa rikuzwe na ntaryo, iteka ry'ingo n'imiryango rinagurwe, iragi twaragijwe n'abasokuru ntirite agaciro, abariho n'abazovuka bamenye ivyo basonera.

Vyongeye ngo yandika kugira ngo dukingire akanovera k'ikirundi, inkingi y'ubumwe, kugira ngo urwaruka rugire ivyo rwisunga, ntirube njanyenabaja

**Igitabu «Iteka ryisunga kirazira» kirimwo iki?**

Kuva ku ntango gushika ku mpera, umwanditsi aguma agaruka kuri «kirazira.» Kwisunga «kirazira» navyo ngo ni ukwubahiriza amabwirizwa, amategeko, imiziro, indahiro, indagano n'ingingo.

Mu mvugo ibonekera mu nyandiko ziwe, cane cane muri ico gitabu, agaruka kenshi kw' «iteka» ry'umuntu, iteka ndemanwa, iteka umuntu agabana mu muryango, mu kibano no mu gihugu c'amavukiro yiwe, iteka umuntu afise kuva agisamwa mbere akarigumana n'inyuma yo kubaho kwiwe kuri iyi si.

Kubwa Zeno Manirakiza, iryo teka ngo «kuriteshwa birababaza. Kuryitesha naho ni nk'ukwisamburirako nk'intungwa». Ico gitabu rero kimurikira abashashaye



Bamwe mubari bitavye ubutumire bwa Zenon Manirakiza



Zenon Manirakiza, umwanditsi w'umurundi mu rurimi rw'ikirundi

gukuza iteka ndemanwa, iry'ingo, imiryango n'igihugu.

Ico gitabu tugisangamwo kandi imyibutsa yunganira iyindi iri mu bitabu bibiri vyari bimaze gusohorwa n'uwo mwanditsi: Igitabu «Ijambo ryubaka» casohotse 2019 n'igitabu «Amahoro mu bantu» casohotse 2020.

**Ingene igitabu «Iteka ryisunga kirazira» cubatse**

Ico gitabu c'impapuro zababa 200 kigizwe n'ibigabane indwi nyamukuru. Mu kigabane ca mbere yise «Dukeburane», uwo mwanditsi avuga cane cane akamaro k'ururimi rw'ikirundi ngo turukunde kandi tururwanire.

Ikigabane ca kabiri «Iteka ni nkoramutima» avugamwo ibiranga iteka, akamaro karyo n'ingene tworiharanira.

Mu kigabane ca gatatu atwibutsa «Iteka ndemanwa». Iryo teka rikomoka ku Mana yo yasharije umuntu, ikamutera iteka n'ishaza. Mu kigabane ca kane niho avuga «Kirazira».

Mu bigabane bitatu vya nyuma, aca rero asubira kudondora izindi nkomoko z'iteka: «Iteka ry'umuryango» mu kigabane ca gatanu, «Iteka mvabuhizi», mu kigabane ca gatandatu n' «iteka ry'igihugu» mu kigabane kigira indwi.

Tubamenyeshe ko Zenon Manirakiza yavukiye ku musozi Burenza muri komine Kiganda mu ntara ya Muramvya ku wa 15 Munyonyo 1965. Asangiye ikivi n'abarajwe ishinga n'ukunagura imico n'akaranga k'ikirundi.

**Mélance Ndayikeze**

# Tugwanye urudandazwa n'isinzikazwa rya kiremwa-muntu

*Kuwa 25 Mukakaro wari umunsi mpuzamakungu wahariwe ukugwanya idandazwa n'isinzikazwa rya kiremwa muntu. Mu ntumbero yo gutuza ako kabi kabishe, Ishirahamwe mpuzamakungu riraba abimukira ryari ryatunganije ikiganiro n'abamenyeshamakuru kugira ngo bashikirize aho bateje igikorwa co kugwanya idandazwa n'isinzikazwa rya kiremwamuntu mu Burundi no mu makungu. Ariko impinga iracari ndende.*

*Isomere namwe ayo makuba yashikiye abo bene Burundi*

**Intahe igira cumi n'umunani :**

**INNOCENT mfise imyaka 25**

Nari nipfuza kurongora ariko ubuzima narimwo ntibwabinkundira. Nagiye mu gihugu ca Tanzaniya kuronderayo ubuzima bwiza mbifashijwemwo n'umugenzi yari amazeyo igihe.

Yanyemereye ko ubuzima bwanje buzohinduka vuba, ko nzoronka amafaranga menshi kugira ngo nitunganye muvyo nkeneye nongere ntegure kazoza keza.

Ngeze gihugu ca Tanzaniya, nahawe akazi n'umuhuza yakorana n'uwundi mukoresha ntigeze mbona na rimwe. Uno muhuza niwe yatugaburira akongera agakurikirana ivyo dukora.

Umuhuza yaguma atubesha ko umukoresha azoza kuduhemba. Ariko namaze imyaka irenga 3 ntabonye agahembo kanje. Nasanze ntegerezwa guhitamwo kugenda ntahembwe canke kubandanya nkora mugihe ntegereje agahembo.

Hari abantu baje kundaba bansaba ko noreka kano kazi baraheza banjana mu kandi karere ku wundi mukoresha, banyizeza ko nzohembwa neza. Umukoresha mushasha yampaye akazi ko kumuragirira ubusho bwiwe bw'inka.

Inyuma y'amezi 3 ntahembwa, narasavye agahembo kanje. Umukoresha wanje vyaramutangaje aca ambwira ko yanguze kandi ko ntegerezwa gukora n'imiburiburi ikiringo c'umwaka kugira ngo ntangure kuro-nswa agahembo kanje.

Nfashe ingingo yo guhagarika akazi, nawe ambwira ko aca ahamagara igipolisi kubera ntafise impapuro zimpa uburenganzira bwo kuba mu gihugu ca Tanzaniya. Naragize ubwoba ijoro ryose, bukeye ndaheza ndagenda ataco mvuze.

Vyantwaye indwi zibiri kugirango nshike ku mupaka n'amaguru. Nashitse i muhira inyuma y'imyaka irenga 3 n'uburuhe n'akantu, umubabaro mwinshi kubera ataco nakoreye muri ico kiringo cose.


***Patiri Noeli Ntirandekura***

**Intahe igira cumi n'icenda :**

**DÉSIRÉ mfise imyaka 24**

Umuryango wanje wari ukenye cane kuburyo utashobora kubandanya undihira amashule.

Umwe mu bagize umuryango yampaye akazi ko gukora mw'ishirahamwe ryiwe yashinze mu gihugu ca Zambiya, anyemerera ko nzohembwa amafaranga azomfasha kubandanya amashule yanje. Kubera ubukene, ico ciyumviro nacakirije yompi.



Ngeze mu gihugu ca Zambiya, hari umuntu yanjanye ahantu nkora akazi ko mu nzu imyaka ibiri. Igihe nasaba agahembo kanje, umukoresha wanje yambwiye ko ntazigera ndakaronka kuko yarishe uwanzanye amafaranga menshi.

Ngire ndabandanya kumubaza, yarankubise mpakwa gupfa aca anjana ku gipolisi anyagiriza ko ndi umusuma. Narafunzwe amezi 4 imbere y'uko bandungika ku mupaka.

Ngaho nyene, hari umuntu yamenyesheje inkuru yanje ishirahamwe ryahavuye rimfasha. Kubw'ubufasha bampaye, ubu ndiko ndiga gusudira.

Ndipfuza kwugurura uruganda rwanje vuba.

***Patiri Noeli Ntirandekura***

# Ishure Kaminuza yitiriwe Equateur, ryaraye risozereye igice ca mbere c'umwaka w'ivyigwa



Foto: Mu bubiko

Ku wa 2 Kigarama 2021, uburongozi bw'ishure Kaminuza yitiriwe Equateur, bwari baramu-tse bumenyesha ko iryo shure rirangije igice ca mbere c'umwaka, bukagirako bunahamagarira abanyeshure bose barangije amashule y'isumbuye bashoboye gutora ikibazo ca Leta kibaha uburenganzira bwo kubandanya muri za kaminuza eka mbere n'abo bose batashoye kugitora, ko iyandikwa ryatanguye uwo musi nyene igenekerezo rya 2 Kigarama 2021, rikazorangira igenekerezo rya 30 Nzero 2022.

Ubwo buyobozi nyene, bwaboneyeho kumenyesha abanyeshure baheruka kuharangiriza ivyigwa na cane cane mu gisata ca «Maîtrise» ko impamyabushobozi zari zaratevye kuboneka, ubu zabonetse.

Ubwo buyobozi bw'iryo shure Kaminuza, bwaboneyeho kandi kumenyesha abamenyeshamukuru bari ngaho, ko iryo shure riherutse kugiriranira amasezerano na MINANI Fleury benshi bazi kw'izina rya MUTIMA le Comedien.


Foto: Chanel HARINGANJI

Hugues RUNIGABAHAGAZE ajejwe igisata c'abakozi no kumenyesha amakuru kuri kaminuza Equateur

Nk'uko tubibwirwa na Hugues RUNIGABAHAGAZE ajejwe igisata c'abakozi no kumenyesha amakuru kuri iryo shure kaminuza, amwe mu masezerano bagiriraniye na MUTIMA asanzwe azwi mu mareresi atwenza :

- Harimwo kumenyekanisha iradiyo iryo shure ryari risanganywe yitwa *«Radio Equateur»,* isamiranira aha mu kiyaya c'imbo kuri 96.5MHz;
- Kwigisha impano ziwe bagenzi we bagiye gusangira ivyigwa kuri iryo shure;
- Kubandaniriza ivyigwa kuri iryo shure mu ntumbero yo kunonosora ururimi rw'icongereza kubuntu;
- Kwigishwa ururimi rw'icongereza kubuntu umugwi wiwe usanzwe umufasha gukina amareresi, hamwe n'utundi turusho yemerewe.

MINANI Fleury batazira MUTIMA, akaba ashima cane amasezerano yagiranye n'iryo shure kuko ari meza.


Foto: Chanel HARINGANJI

Mwomenya ko iyo kaminuza igizwe n'abanyeshure 576 bava mu bihugu bitandukanye, muri abo abagera kuri 270 bakaba bamaze guhabwa impamyabushobozi.

Twobamenyesha kandi ko, mu cegeranyo giheruka gusohorwa n'Ibanki y'isi yose cerekana ubusumbasumbane bw'amakaminuza aha mu Burundi, cerekana ko iyo kaminuza yitiriwe Equateur ifise ikibanza ca 5 mu makaminuza 19 y'aha mu Burundi amaze kwemererwa n'akarere ka EAC.

**Chanel HARINGANJI**

# Wa mugabo, ni ukunde umugore wawe nk'uko wikunda wewe nyene

Murame mwibuka ko kimwe mu biryosha umubano mu rugo ari ca kiyago mwamiza mu kanwa. Mutegere ko ikiyago mvuga, ari iragi rya basokuru.

Igihe Imana yiyumvira kurema umuntu, yabwiye Jambo iti : « Ingo tureme umuntu asa natwe ». Ico kikatwereka ko Imana imwe rudende yigiriye inama yo kurema umuntu mu mwumvikano wayo na Jambo, ariyo Mana imwe.

Ndetse, na ba sokuru bacu barategura akanya k'ikiyago mu rugo, mbere rimwe na rimwe bakabicisha no mu murya w'inanga, bakayagira umugore n'ibibondo. Mbere iyo baryohewe, umugore yarava hasi agatayaya, akigina umugabo wiwe, agatamba agatarika.

Akarorero ni akuyu mugabo yariko aririmbira u-mugore n'abana mu murya w'inanga agira ati : «Mwiriwe mugore wanje!
Ahumve mwiriwe
Niririwe ntakubonye,
Ahumve mwiriwe
Amaso aca aba umunani,
Ahumve mwiriwe
Imitima ica iba itanu...

Mwiriwe bibondo!
Ahumve mwiriwe
Tambe twiginane
Ahumve mwiriwe
Umwanya tukirikumwe
Ahumve mwiriwe
Nyamusi rutaraza
Ahumve mwiriwe
Rumwe rwanka ibibondo
Ahumve mwiriwe
Rumwe rwanka ibiyago
Ahumve mwiriwe.

None ko ba sokuru bacu, naho tuvuga ko batari bateye imbere, ariko barabona akamaro k'ikiyago mu rugo, twebwe vyotunanira gute kandi arivyo twonkejwe? Oya da!

**Biracaza**
**Chanel HARINGANJI**

# Uburenganzira bwo kudakoreshwa ibikorwa bibangamira ubuzima bw'abana

Uburenganzira bwo kudakoreshwa ibikorwa bibangamira ubuzima bw'abana

Abana bose barafise uburenganzira bwo kubungabungwa no kudakoreshwa ibikorwa bibangamira ubuzima bwabo. Bategerezwa kwitabwaho ata gucagura na kumwe. Ibihugu n'imiryango bifise uruhara ntangere mu vyerekeye gukingira abana ivyo vyose vyobangamira ubuzima bwabo. Niyo mpamvu hashingwa imyaka abana bategerezwa gutangurirako akazi kugira ntibakoreshwe ibikorwa bibarengeye.

Ubwo burenganzira bw'abana butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko y'igihugu c'Uburundi.

1. Ingene amategeko mpuzamakungu ategekanya ubwo burenga-nzira

Uburenganzira bw'abana bwo kudakoreshwa ibikorwa bibangamira ubuzima bwabo butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu atandukanye : itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu; amasezerano mpuzamakungu mu vyerekeye ubutunzi, imibano n'imico kama; amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye poritike; amasezerano mpuzamakungu yubahiriza a-gateka k'abana hamwe n'amasezerano ya Afrika yerekeye agateka no kubaho neza kw'abana.

Ingingo ya 25 y'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu mu gace kayo ka kabiri ivuga ko abana bose atagucagura na kumwe, bafise uburenganzira bwo gukingirwa.

Ingingo ya 10 y'amasezerano mpuzamakungu mu vyerekeye ubutunzi, imibano n'imico kama mu gace kayo ka 3 ivuga ko ibihugu vyashize umukono kuri aya masezerano, bitegerezwa gufata ingingo zose zikenewe kugira bakingire abana bakiri bato n'abageze mu bigero, ibikorwa vyose bibasinzikariza ubuzima ata gucagura na kumwe.

Gukoresha abana ibikorwa bibangamira amagara yabo, ugukura no gutera imbere kwabo canke bishira ubuzima bwabo mu kaga bitegerezwa guhanwa n'amategeko mpanavyaha y'ibihugu vyashize umukono kuri aya masezerano. Ivyo bihugu bitegerezwa gutegekanya kandi imyaka abana bategerezwa gutangurira gukora akazi. Igihe hagize uwubakoresha batarakwiza iyo myaka agategerezwa guhanwa.

Ingingo ya 24 y'amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye poritike ivuga ko, umwana uwo ari we wese ategerezwa gukingirwa na Reta n'imiryango kubera akiri muto.

Ni muri iyo ntumbero ibihugu vyashize umukono kuri aya masererano, bifata ingingo zose zishoboka kugira bikingire abana kandi bihane uwo wese akoresha abana ibikorwa bibarengeye.

Ingingo ya 32 y'amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka k'abana ivuga ko ibihugu vyemeje aya masezerano biba vyemeye ko umwana ategerezwa gukingirwa kugira ntacurwe bufuni na buhoro kubera amaronko, kudahatirwa gukora akazi kotuma agira impanuka, komutesha amashure, komwonera amagara canke kakageramira iterambere ryiwe ku mubiri, mu bwenge no mu mibano.

Ibihugu vyemeje aya masezerano birashinga amategeko,bigafata n'ingingo zose zikenewe mu vyerekeye intwaro, imibano n'indero kugira iyi ngingo ije mu ngiro.

Kugira ngo ivyo bishoboke ufatiye ku zindi ngingo zivyerekeye ziri mu yandi masezerano mpuzamakungu,ibihugu vyemeje aya masezerano birashinga imyaka abana bategerezwa gukwiza kugira ngo barekurirwe gukoreshwa akazi ; biraringaniza itegeko rijanye n'amasaha y'akazi n'uburyo gakorwa kandi bigategekanya ibihano bikwiye kugira ngo iyi ngingo yubahirizwe.

Amasezerano mpuzamakungu yerekeye itunganywa ry'akazi arategekanya imyaka itegetswe kugira umwana arekurirwe gukora akazi.

Ingingo ya 2 y'amasezerano yerekeye ingene akazi k'abana gatunganywa mu mahinguriro, avuga ko ata mwana arekuriwe gukora mw'ihinguriro rya Reta canke ry'abigenga mu gihe atarakwiza imyaka 15 y'amavuka.

Mu ntumbero yo kwubahiriza ingingo ziri muri aya masezerano, ingingo ya 4 ivuga ko umuntu we-se arongoye ihinguriro ategerezwa kuba afise igitabu yandikamwo abakozi bose batarakwiza imyaka 18 hatibagiwe n'amatarike y'amavuka y'umwe umwe.

Ingingo ya 6 nayo mu gace kayo ka kabiri ivuga ko umwana atarashikana imyaka 16 adashobora gukora ibikorwa bijanye no gucukura ubutare canke ibindi bijanye navyo vyotuma ubuzima bwiwe bubangamirwa.

Ingingo ya 15 y'amasezerano ya Afrika yerekeye agateka no kubaho neza kw'abana ivuga ko umwana akingirwa ivyo vyose bituma akora akazi kabangamira amagara yiwe, kamutesha amashure, kageramira iterambere ryiwe ku mubiri, mu bwenge no mu mibano.

Ibihugu vyemeje aya masezerano birashinga amategeko kandi bigafata ingingo zose zikenewe mu vyerekeye intwaro, imibano n'indero kugira iyi ngingo ije mu ngiro.

Ibihugu vyemeje aya masezerano bitegerezwa kwisunga ingingo zishirahamwe mpuzamakungu OIT ku vyerekeye itunganywa ry'akazi.

Ni muri iyo ntumbero ibihugu bitegerezwa gushinga imyaka abana bategerezwa gukwiza kugira ngo barekurirwe gukora akazi;gushiraho itegeko rijanye n'amasaha y'akazi n'uburyo gakorwa hamwe no gutegekanya ibihano

Ibikur. urup. 11

## Uburenganzira bwo kudakoreshwa ibikorwa bibangamira ubuzima bw'abana

*(Bitangurira ku rup.10)*

bikwiye kugira ngo iyi ngingo yubahirizwe.

Amategeko mpuzamakungu atandukanye arubahiriza uburenganzira bwo kudakoreshwa ibikorwa bibangamira ubuzima bw'abana.

N'amategeko y'igihugu c'Uburundi ni kwa kundi. Kukaba nkako amategeko y'igihugu yama yisunga amategeko mpuzamakungu canke mpuzakarere ico gihugu kiba carashizeko umukono.

2. Ingene amategeko y'Uburundi yubahiriza ubwo burenganzira

Mu gihugu c'Uburundi, amategeko atandukanye arakingira abana kudakoreshwa ibikorwa bibangamira ubuzima bwabo.

Muri ayo mategeko, tuza kwisunga ibiri mw'Ibwirizwa Shingiro, mu gitabu c'amategeko agenga akazi mu Burundi hamwe no mw'itegeko nshikiranganji n°630/1 ryo ku wa 5 nzero 1981 ryerekeye itunganywa ry'akazi k'abana.

Ingingo ya 44 y'Ibwirizwa Shingiro ivuga ko umwana wese afise uburenganzira bwo kubungabungwa no kworoherezwa kurusha uko abayeho mu vyerekeye amagara yiwe, umutekano wiwe, ukudafatwa bunyamaswa, ukudacurwa bufuni na buhoro canke gukoreshwa ku nguvu.

Ingingo y'126 nayo ivuga ko abana badashobora gukoreshwa mw'ishirahamwe iryo ari ryo ryose igihe batarakwiza imyaka 16 kiretse iyo ari ibikorwa bisanzwe bitabangamira ugukura kwabo, ukwiga amashure canke ngo bibangamire amagara yabo.

Ingingo y'119 y'igitabu c'amategeko agenga akazi mu Burundi ivuga ko abana batarashikana imyaka 18 badashobora gukora akazi ko mw'ijoro mu mashirahamwe ya Reta canke y'abigenga.

Ingingo y'120 ivuga ko umwana ategerezwa kuronswa umwanya wo kuruhuka. Igihe akora mw'ihinguriro kanaka, ategerezwa kuronswa n'imiburiburi akaruhuko kangana n'amasaha cumi n'abiri aharurwa kuva avuye ku kazi gushika azosubire kugatondako ku musi ukurikira.

Bigaragara ko asubirayo yamaze kuruhuka, atagifise umuruho w'akazi yaraye akoze.

Mu ntumbero yo gukingira abana ibikorwa bibangamira amagara yabo, umugenduzi w'akazi ashobora gusaba ko abana bakora akazi bakorerwa ibipimo kugira barabe ko akazi bakora kajanye n'inguvu bafise. Uwo bigaragaye ko akazi ajejwe kamurusha inguvu, ategerezwa guhindurirwa akazi bakamuha akatabangamira amagara yiwe. Iyo atakariho, umukoresha ategerezwa guca ahagarika amasezerano y'akazi bafitaniye.

Ivyo bikorwa navyo biba bitomorwa n'ingingo ya 3 y'itegeko nshikiranganji n°630/1 ryo ku wa 5 nzero 1981 ryerekeye itunganywa ry'akazi k'abana ivuga ko umwana atarashikana imyaka 16 adashobora gukora akazi kiretse iyo ari ibikorwa vyo ku mashure yigisha imyuga ariko naho nyene bitegerezwa kuba bijanye n'inyigisho kandi bigategerezwa gukorwa vyagenzuwe n'umuntu abifitiye ububasha n'ubumenyi.

Ariko naho biri uko,abana ntibaheza ngo barerwe ar'indera maboko. Oya namba,kuko ingingo ya 6 ivuga ko abana bafise imyaka iri hagati ya 12 na 16 bashobora gukora ibikorwa bibayabaye nko kurera abana bavukana; gusoroma imboga canke ivyamwa ariko bigategerezwa kutarenza ibiro 15 ; kuragira ibitungwa; kudandaza ibimenyeshamakuru ariko naho nyene bitegerezwa kuba bitarenza ibiro 15 hamwe n'ibikorwa bibayabaye vyarekuwe n'abagenduzi b'akazi.

Tugarutse muri rya tegeko nshikiranganji ritomora ibikorwa vy'abana batarashikana imyaka 18, ingingo y'9 ivuga ko umwana atarashikana imyaka 18 adashobora gukora akazi ko mw'ijoro.

Ingingo ya 13 ivuga ko bibujijwe ko abana batarashikana imyaka 18 bakoreshwa ibikorwa bibangamira amagara yabo canke bishobora kubateza amasanganya cane cane nko kwimba ubutare, gusitura amabuye, gutwara imiduga, gukora ibikorwa bikoreshwa imisumeno, gukora amatara canke gutwara ubwato.

Ingingo ya 15 ivuga ko bibujijwe kw'abana bakoreshwa mu bunywero no mu bindi bibanza vyose binywerwamwo inzoga.

Mu gusozera,twomenya ko bishobora gushika ubwo burenganzira ntibwubahirizwe kuko n'abarundi barayamaze ngo ahari abantu hama urunturuntu.

Ni naco gituma igitabo c'amategeko mpanavyaha c'Uburundi categekanije ibihano bihabwa uwo wese atubahirije ubwo burenganzira.

Ingingo ya 541 y'igitabu c'amategeko mpanavyaha ivuga ko uwo wese yoheje umwana ngo akore ico cose kibujijwe n'amategeko, kibangamira amagara yiwe, ukubaho kwiwe canke ugukura kwiwe ahanishwa umunyororo uva ku myaka ibiri gushika ku myaka itanu n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi cumi gushika ku bihumbi mirongo ibiri.

Ingingo ya 545 nayo ivuga ko uwo wese akoresheje umwana ibikorwa bibangamira amagara yiwe, umutekano wiwe canke ubwenge bwiwe ahanishwa umunyororo uva ku myaka itatu gushika ku myaka itanu n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi mirongo itanu gushika ku bihumbi ijana vy'amafaranga y'amarundi.

***Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# Ijambo ry'Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi ryerekeye gukomeza ubutumwa bw'ingo n'imiryango

(Bitangurira ku rup.5)

ngororangendo zubahiriza umugambi w'Imana ku muntu mu kurondoka.

Ni mwijukire ukuruta uburyo kama bwo kurondoka ku rugero.

6.) Gushinga no gukomeza amasentare y'Ekleziya mu biraba abubakanye.

Mu ntumbero yo kwunga imitima yavunitse no kugarukira isakramentu ryo kwubaka rukristu, dusavye ko amasentare y'Ekleziya mu madiyoseze yacu yokora ukwo ashoboye ngo imanza z'abubakanye zinyaruke guhera kandi amatohoza azerekeye akorwe ku buryo bitaremera ababituye.



UGUSOZERA

13. Kubera dusanzwe turi mu gikorwa co kwegeranya ivyiyumviro bizoterera ya Nama Nsangizangendo y'Abepiskopi, ibindi bikorwa ni bitunganywe mu ma Diyoseze, bamwe bose bagire ico biyemeje kizobabera urwibutso rw'ihimbazwa ry'uyu mwaka wahariwe ingo n'imiryango.

Hazoba hasigaye ko twifatanya n'Ekleziya yose mw'ihwaniro ry'ingo n'imiryango rizobera i Roma kuva igenekerezo rya 22 gushika 26 Ruheshi 2022, akaba ari naryo nyene rizososozera uyu mwaka w'ingo n'imiryango.

Ibizova mur'iryo hwaniro, nta nkeka ko bizodufasha gukomeza urugomuryango, kugira ngo rutubere ishimikiro mu gikorwa co kumenyesha Inkuru Nziza be n'ico kuringaniza ihimbazwa rya Yubile y'imyaka 125 kuva Inkuru nziza itanguye kumenyeshwa mu Burundi.

14. Turangije tubaragiza Umuryango Mweranda w'i Nazareti twongera tubipfuriza kwitegurira neza Ivuka ry'Umwana w'Imana ari we Mwami w'amahoro.

Bigiriwe i Bujumbura igenekerezo rya 10 Munyonyo 2021.

***Ndongozi y'Uburundi***

---

# Ibohero rya Gitega ryaraye rihiye abantu n'ibintu birayogera

Mu gaturuturu ko ku wa kabiri igenekerezo rya 7 Kigarama 2021, umuriro waradutse mw'ibohero rya Gitega ku mugwa wa Politike, aho wahitanye ibintu n'abantu ukayogeza.

Nk'uko vyashikirijwe n'Icegera c'Umukuru w'Igihugu Prosperi Bazombanza, yahishikiye kugarukira kuri abo bagize ivyago, ngo abanyororo bahitwanywe n'uyo muriro bakitaba Imana ni 38, abakomeretse nabo ni 69.

Muri abo bapfuye, abantu 12 bapfuye kukubura impwemu, 26 nabo bapfuye kukubera ubushe.

Abakomeretse bajanywe kwa muganga mu bitaro



*Ivyo ni bimwe mu bihome vy'ibohero rya Gitega riheruka guhura n'umuriro*

biri ku mugwa mukuru w'Uburundi Gitega.

Abajijwe icihutirwa kigiye gukorwa, Icegera c'Umukuru w'igihugu Prosperi Bazombanza, yamenyesheje ko ubwa mbere ko mu maguru masha bagiye kwihutira kugarukira ku barokotse muri uwo muriro mu kubaronsa uburaro n'imfungurwa.

Yavuze kandi ko abakomeretse ari reta izobavuza, kandi ko bagiye kuvugana n'umushikiranganji ajejwe inyukwa za reta kugira iryo bohero risanurwe.

Abatari bake baribajije ico uyo muriro wavuyeko. Abategetsi bati : «Umuriro waturutse kukujengajenga imihora y'umuyagankuba n'ukuvuga kurahura umuriro mu kajagari»

Abandi nabo bati : « Iyo iba ari yo nyanduruko y'umuriro, n'ibindi vyuma vy'umuyagankuba vyari kwononekara, ibintu n'abantu bikahatikirira. » Abandi bakibaza igituma ata mazina n'umwidondoro bw'abanyororo bahitanywe n'uyo muriro araja ahabona.

Abandi bakibaza iyo ibiza vy'abo bapfuye vyashinguwe kuko ata miryango yabo yigegeze itumwako.

***Ndongozi y'Uburundi***